**RCC 9644**

**LES MOTS CLES**

**«Acte de notoriété » - gutangurira urubanza muri Sentare y'iyungururizo - isamburwa rw'urubanza (ingingo ya 77 y'itegeko n°1/07 ryo ku wa 25.02.05 rigenga Sentare Ntahinyuzwa) - kutubahiriza amategeko agenga imanza z'amatati - kutumviriza amasura.**

URUBANZA

- 1 -

RCC 9644

SENTARE NTAHINYUZWA, IGISATA CA GASAMBURAMANZA YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA: INTAHE Y'ICESE YO KU WA 19.06.2006.

UWITWARA : NA. Victoire aserukiwe n'abashingwamanza RA. Désire Marie Claude na ND. Déo

ABITWARIRWA: KA., KE. Bisamburire, NT. Lazare, baserukiwe n'umushingwamanza HA. Guido

Yihweje urubanza RCA 545 rusambuzwa rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke igenekerezo rya 15.03.2001 rwongera rumenyeshwa NA. Victoire asambuza urubanza igenekerezo rya 17.04.2001 ruvuga ruti:

- Irakiriye iyunguruzwa ry'urubanza n° RC 919/99 rwa Sentare y'Intango ya Rugombo nk'uko ryagizwe na KA., KE. na NT. kandi ivuze ko rishemeye mu bice vyaryo vyose;
- KA., KE. na NT. baratsindiye itongo nk'uko bariburanye na NA.;
- Amagarama y'urubanza atangwa na NA. uko ari 24.760 FBu ;
- Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke niyo izokurikiza runo rubanza.

Yihweje ko NA. Victoire aserukiwe n'umushingwamanza RA. yaciye yirukira Gasamburamanza mukuyishikiriza ibirego vyo gusambuza urubanza RCA 545 igenekerezo rya 07.06.2001 nk'uko mbere bigaragazwa n'igitansi n° 1- 009425/2001 yashingiyeko ;

Yihweje iyandikwa ry'iryo sambuza mu bitabu vya Gasamburamanza ku nomero y'urutonde RCC 9644;

Yihweje ivyireguro vy'abasamburizwa vyakiriwe mw'iyandikiro ry'imanza rya Gasamburamanza igenekerezo rya 03.07.2001 ;

- 2 -

Yihweje iciyumviro canditswe n'umucamanza wa Sentare Ntahinyuzwa igenekerezo rya 18.10.2001 ;

Yihweje iciyumviro c'umushikirizamanza mukuru canditswe igenekerezo rya 13.12.2001 ;

Yihweje ishingwa n'ihamagarwa ry'urubanza RCC 9644 mu ntahe y'icese yo ku wa 29.03.2002, aho ababuranyi bose basiba urubanza rugaca rusubizwa ku wa 21.06.2002, kugira ngo Sentare isabe dosiye y'ido n'ido ;

Yihweje ko iyo ndagano igeze abitwariwe barengutse kiretse KE. yapfuye ariko uwitwaye agasiba, urubanza ruca rusubizwa ku wa 06.09.2002 kugira ngo haze harenguke Me. RA. n'abasigwa ba KE. ;

Yihweje intahe y'icese yo ku wa 06.09.2002, aho harenguka uwuserukira uwusambuza, umushingwamanza RA., ariko uwusamburizwa n'abo bari kumwe bagasiba urubanza ruca rusubizwa igenekerezo rya 29.11.2002 ;

Ko iyo ndagano igeze ababuranyi bose basivye, Sentare ica isubiza urubanza inyuma ku wa 17.02.2003 irindiriye ababuranyi;

Yihweje ko kw'igenekerezo rya 17.02.2003, abasamburizwa bose basivye, urubanza ruca rwungururizwa ku wa 08.05.2003 ;

Yihweje ko no kuri iyo sango nyene ababuranyi bose basivye ariko kuca urubanza rusubizwa ku wa 21.07.2003;

Yihweje ko indagano yo ku wa 21.07.2003 igeze ababuranyi bongeye gusiba, urubanza ruca rwungururizwa kw'igenekerezo rya 13.11.2003 irindiriye abo baburanyi;

Ko iyo sango igeze ababuranyi bose basivye nka mbere urubanza rwongera gusubizwa inyuma ku wa 13.02.2004;

Ko n'ubundi kuri iyo ndagano ababuranyi bose basivye, urubanza rwongera gusubizwa mu ntahe y'icese yo ku wa 21.05.2004 ;

Ko uwo munsi ugeze, uwunguruje urubanza yarengutse wenyene urubanza ruca rusubizwa inyuma ku wa 14.10.2004 kugira ngo umushingwamanza wiwe ND. Déo azorenguke, hongere harenguke abasamburizwa ;

Yihweje ko n'ubundi kuri iyo sango urubanza rwasubijwe inyuma kw'igenekerezo rya 17.02.2005 harindiriwe umushingwamanza HA. Guido aserukira abasamburizwa;

Ko urubanza rwongeye gusubizwa inyuma kw'igenekerezo rya 09.06.2005 Sentare irindiriye ko NA. arenguka ;

- 3 -

Ko iyo ndagano igeze, uwuserukira uwusamburizwa yarengutse ariko uwusambuza arasiba, mbere n'umushingwamanza wiwe, ariko kuca Sentare isubiza urubanza mu ntahe y'icese yo ku wa 19.09.2005 ;

Yihweje intahe y'icese yo ku wa 19.09.2005, aho n'ubundi urubanza rwasubizwa inyuma kw'igenekerezo rya 17.10.2005, harindiriwe umushingwamanza wa NA. Victoire, akaba ND. Déo ;

Ko isango rigeze, urubanza rwasubijwe inyuma kw'igenekerezo rya 26.01.2006 kugira ngo uwitavye mu kibanza ca KA. azane urupapuro rumuha uburenganzira bwo kumuserukira «procuration » ;

Yihweje intahe y'icese yo ku wa 26.01.2006 aho uwusamburizwa yitavye we nyene uwusambuza nawe agasiba ariko guca Sentare isubiza urubanza inyuma mu ntahe y'icese yo ku wa 12.05.2006 ;

Yihweje cane cane intahe y'icese yo ku wa 12.05.2006 aho harengutse gusa umushingwamanza HA. Guido aserukira uwusamburizwa ariko nyene gusambuza agasiba ariko guca Sentare, imaze kumviriza iciyumviro c'umushikirizamanza mukuru, ishira urubanza mu mwiherero w'abacamanza kugira ngo ice urukurikira:

Kubera ko NA. Victoire yashitse muri Sentare Gasamburamanza igenekerezo rya 07.06.2001 aje gusambuza urubanza RCA 545 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yari yamenyeshejwe ku wa 17.04.2001 ;

Kubera ko NA. Victoire yirukiye Gasamburamanza akiri mu ndagano ;

Kubera ko mu gusambuza urubanza, umushingwamanza RA. aserukira NA. Victoire afatira ku mvo nkuru nkuru zitatu ;

Kubera ko imvo ya mbere ijanye n'ukutumviriza amasura y'uwunguruje;

Ko kuri ico kirego, umushingwamanza RA. avuga ko Sentare itumvirije ivyabona VY., YE. Emma na M. kandi bari baronse imitahe ibatumira muri urwo rubanza ;

Kubera ko yongera akavuga ko kutumviriza ayo masura ya NA. kandi ata bandi bari bwumvirijwe botuma Sentare inyurwa biteye kubiri n'amategeko agenga ababuranyi;

Kubera ko imvo ya kabiri ifatiye kw'ikurikizwa n'iyubahirizwa ry'ingingo za 640 na 642 z'igitabu ca gatatu c'amategeko agenga imanza z'amatati (CCL III) zerekeye ikiringo gitegekanijwe kugira ngo itongo ryegukire uwusanzwe aribako kandi arikorera ;

- 4 -

Kubera ko yongera akavuga ko Sentare yirengagije ivyo umuburanyi KA. wenyene yiyemereye ko iryo tongo ari irya Phocas PF. kuva muri 1959 ngo kandi kuva ico gihe yamye aririma aho adashoboye naho akahakodesha;

Ko mbere ababuranyi bemeza ko iryo tongo ryasohojwe PF. Felix mu 1973, ico gihe rikaba ryarimwo na PF. Phocas ;

Ko hagati ya 1959 na 1973 haca imyaka mike itotuma iryo tongo ryegukira KA. na bagenzi be ;

Kubera ko umushingwamanza RA. yongera akavuga ko Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yarenze ingingo z'igitabu kigenga iburanishwa ry'imanza z'amatati cane cane mu kutumviriza ivyabona vy'uwungururijwe ngo kandi ntiyisunga ivyemezo yazanye ica yisunga ingingo atarizo arizo 647 na 648 be na « note de jurisprudence n° 192 & 193 » ;

Kubera ko impamvu ya gatatu ifatiye ku burutane bw'amasentare;

Ko kuri ico kirego, umushingwamanza RA. avuga ati: «Sentare isubiramwo (Cour d'Appel) ntiyari gushobora kwakira ubwa mbere ababuranyi « KE. Bisamburira na NT.; kanatsinda, abo baburanyi ntibari « barashinze muri Sentare y'Intango kandi ntibayiburanamwo ; « Umukuru wa Sentare isubiramwo wenyene yaravuze mu ntahe y'icese ko atabazi. « Yarabahakaniye baburana ubwa mbere muri Sentare isubiramwo »

Kubera ko ku bw'umushingwamanza RA., aravye ingene urubanza rwaciwe, «Sentare Isubiramwo yarenze amategeko agenga za Sentare n'ububasha bwazo (CPC) n'ingene zigenda zisumbana (degré de juridiction) » ;

Ko kuri we, ata muburanyi arekuriwe gutangurira urubanza muri Sentare Isubiramwo atigeze aburana muri Sentare y'Intango ;

Kubera ko umushingwamanza ND. Déo yahavuye yunganira umushingwamanza RA. mu gushikiriza izindi mburano zanditse igenekerezo rya 07.11.2003 ;

Kubera ko muri urwo rwandiko umushingwamanza ND. Déo atanga izindi mvo zo gusambuza urubanza RCA 545 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke;

Kubera ko izo mpamvu umushingwamanza ND. Déo ashimikirako ari:

- Kwivuguruza « (contradiction) »
- Kutumviriza ivyabona « (non audition des témoins) »



- Ukutubahiriza ingingo za 642 na 648 z'igitabu ca gatatu c'amategeko agenga imanza z'amatati (CCL III),
- Ukutubahiriza ubusumbasumbane bw'ama Sentare,
- Kudafata ibintu uko bimeze,

Kubera ko ku bijanye no kwivuguruza, umushingwamanza ND. Déo yandika ko Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yivuguruje mu gushira mu rubanza KE. na NT. kandi yari yavuze ko itabumviriza kuko ari ubwa mbere bitwara ;

Kubera ko kuvyerekeye ukutumviriza amasura, umushingwamanza ND. avuga ko ivyabona vya NA. Victoire vyahamagawe na Sentare ariko bashitse ntibumvirizwa, kuri we, ivyo bikaba biteye kubiri n'ingingo ya 35-38 y'igitabu kigenga iburanishwa ry'imanza z'amatati n'ingingo ya 2 y'ibwirizwa n° 1/51 ryo ku wa 23.07.1980 ;

Kubera ko ku kirego c'uko Sentare yisunze ingingo za 642 na 648 aho zitategerezwa gukoreshwa, umushingwamanza ND. avuga ko imyaka 40 KA. yitwaza kugira ngo yegukire itongo idashika, ko itarenga cumi n'itanu (15);

Ko ku bijanye no kutubahiriza uburutane bw'amasentare umushingwamanza ND. avuga ko abo bagererwa bavugwa na KA. batigeze bashingisha muri Sentare y'Intango mu rubanza RC 919/99 ;

Ko rero Sentare Nkuru Isubiramwo (Cour d'Appel) idafise uburenganzira bwo kwakira umuburanyi atashinze urubanza muri Sentare y'Intango ;

Kubera ko ku kirego kijanye no kudafata ibintu uko bimeze «mauvaise interpretation ou qualification des faits» nk'uko umushingwamanza ND. avyivugira, abo bantu biyita abagererwa atari bo ngo kuko kuva mu 1959 gushika mu 1984 nta mugererwa yari ahari;

Ko ku bw'umushingwamanza ND., ubwo bugererwa bwoba bwabaye inyuma y'urupfu rwa PF. Felix ;

Kubera ko KA. n'abo bari kumwe bahavuye bishura ku birego vy'umushingwamanza RA. igenekerezo rya 29.06.2001 ;

Kubera ko iyo nyishu ku birego vy'uwusambuza vyashitse mw'iyandikiro ry'imanza rya Gasamburamanza italiki 03.07.2001 ;

Kubera ko KA. yishura ku kirego kijanye no kutumviriza amasura mu kuvuga ko ivyo vyabona bitari kumvirizwa, ku mvo y'uko bari bafitaniye ubucuti;

Ko nka Emma YE. ari umugore asigwa na PF. Felix ari nawe yitwa ko yasohojwe iryo tongo ;



Ko M. na VY. nabo bari incuti za PF. Phocas;

Kubera ko ku kirego ca kabiri gifatiye ku kiringo gitegekanijwe kugira ngo itongo ryegukire uwari asanzwe aribako, KA. n'abo bari kumwe bavuga ko Sentare Nkuru y'Igihugu yisunze amategeko kuko yihweje imyaka bamaze kuva mu 1959 gushitsa mu 1999 baba kuri iryo tongo ata nkomanzi ari naco catumye Sentare yisunga ingingo ya 642 na 648 y'igitabu ca gatatu c'amategeko agenga imanza z'amatati;

Kubera ko bongera bakavuga ko ata mugenzo w'ubugererwa ukiriho ;

Ko ari naco gituma uwo baburana atigeze azana «acte de notoriété original » yo ku wa 09.11.1959 yari yanditse ko KA. na KE. ari abagererwa kandi bari bayimusavye ;

Ko kubwa KA. n'abo bari kumwe, uwo baburana yanse kwerekana iyo « acte de notoriété » kuko ahari handitse ko ari abagererwa baciye bahafuta baca batanga muri Sentare «photocopie » kuko babona ko ata rubanza bafise

;

Kubera ko ku kirego c'uko ababuranyi KE. na NT. bahereye muri Sentare Nkuru Isubiramwo imanza ngo KA. n'abo bari kumwe bavuga ko atari vyo namba kuko hari abaserukira abandi kuko bose hamwe ari mirongo ibiri na bane (24) ari naco catumye batora KA., KE. na NT. kugira ngo bakurikirane urwo rubanza kuko na Sentare yari yasavye ubutumwa (procuration);

Ko ngo ivyo bigaragazwa n'ingingo ya Sentare y'Intango ivuga iti: « 2° NA. Victoire aratsinze KA. n'abo yaserukiye » ari naco gituma batari guhagarara imbere ya Sentare bose kandi bavuga rumwe ;

Kubera ko KA. atigeze yishura kuvy'umushingwamanza ND. Déo yashitse yunganira umushingwamanza RA. bigashika mw'iyandikiro ry'imanza rya Gasamburamanza ku wa 07.11.2003;

Ko bishoboka ko izo nzandiko z'umushingwamanza ND. zunganira iz'umushingwamanza RA. zishobora kuba zitashikiriye bene kugenerwa ikopi kuko ataho biboneka muri dosiye ko bazironse ;

Ko ikigaragara ari uko KA. yaronkejwe ibirego vya NA. Victoire biciye mu minwe y'umumenyeshamanza wa Sentare Ntahinyuzwa irimwo na Gasamburamanza ariwe BI. Ignace ;

Kubera ko Sentare Gasamburamanza itegerezwa kwerekana aho ihagaze muri runo rubanza mu kugira ico ivuze ku kirego cose yashikirijwe ;

Kubera ko ku kirego ca mbere gifatiye ku kutumviriza amasura, Sentare y'iyungururizo yaretse kubumviriza kubera cane cane ko ataco bari kuyungura mw'itohozwa ry'urubanza;

- 7 -

Ko ari naco gituma Sentare mu guca urubanza RCA 545 yavuze ko ata vyabona bikenewe ;

Ko ku kaba nkako, ata cabona cari kuza gihinyuza ibiri mw'ikete n° 531.123/263 aho Musitanteri wa Komine Rugombo yandikira Bulamatari w'Intara ya Bubanza igenekerezo rya 28.07.1977 amurungikira urutonde rw'abagererwa na bene kubagerera;

Kubera ko muri urwo rwandiko, bigaragara neza ko KA. n'abo bari kumwe bari abagererwa ba PF.;

Ko rero umuco umaze kuboneka ku cari giteye amazinda, Sentare itari igikeneye ko yumviriza amasura naho yari kuba yayatumyeko ;

Ko rero ico kirego kidashemeye na mba kugira ngo gitume urubanza RCA 545 rusambuka ;

Kubera ko ku kirego kijanye n'ikiringo gitegekanijwe kugira ngo ryegukire uwusanzwe arikorera kandi aribako, mu kurenga ku vyo KA. yiyemereye wenyene, ko itongo ari irya PF. Phocas, ivyo navyo bikaba biteye kubiri n'ingingo za 640 na 642 y'igitabu ca gatatu kigenga imanza z'amatati, Sentare Gasamburamanza ibona ko uwusambuza urubanza aha insiguro atari yo ingingo za 640 na 642,

Ko KA. yemera ko itongo ari irya PF. kuko yari shebuja nawe akaba umugererwa wiwe ;

Kubera ko umucamanza w'iyungururizo yisunze amategeko mu gukoresha ingingo ya 647-648 kuko kuva mu 1959 gushika imanza zishingwe hari haciye imyaka ikwiye yo kugira ngo itongo rihebe ryegukire abaribayemwo bongera barikorera;

Ko naho Sentare yofata gusa imyaka cumi n'itanu (15 ans) umushingwamanza w'uwusambuza yemera, ibona ko ingingo umucamanza wa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yisunze (ingingo za 647-648) mu gukomorera abagererwa KA. n'abo bari kumwe itongo bari babayemwo bongera bakorera imyaka n'iyindi zibereye ;

Kubera rero ko umucamanza wa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yihweje neza yongera arakurikiza ingingo za 647 na 648 ;

Ko rero iyo mvo ifatiye kuri ico kirego idafise aho ihagaze ari naco gituma itotuma urubanza rusamburwa ;

Kubera ko iyindi mvo uwusambuza afatirako ari uko Sentare y'iyungururizo itubahirije uburutane bw'amasentare mu kwemerera ababuranyi KE. na NT. kuburanira ubwa mbere muri Sentare y'iyungururizo, uwusamburizwa yabisiguye ko ari uko uru rubanza rwega abantu benshi;

- 8 -

Ko ari co gituma uko ari 24 canke barenga batari guhagarara imbere ya Sentare ;

Ko muri ico gihe baciye batora KA., KE. na NT. kugira ngo bakurikirane ivy'urwo rubanza kuko na Sentare yari yasavye « procuration » ;

Kubera ko iyo urubanza rwega abantu benshi, ata kibuza benerwo kugena ababaserukira imbere ya Sentare iyo ariyo yose ;

Ko abo uwusambuza avuga ko baserutse ubwa mbere muri Sentare y'iyungururizo aribo KE. na NT. bahawe ububasha bwo guserukira abo basangiye urubanza na « procuration » bene gutuma na bene gutumwa bateye ko igikumu imbere ya Musitanteri wa Komine Rugombo VY. Joseph ;

Ko rero ico kirego kidafashe na gato ;

Kubera ko ku kirego co kwivuguruza, uwusambuza yagiriza umucamanza ataho gifatiye naco nyene kuko imvo zose ziri mu rubanza rusambuzwa ziroranye ;

Kubera ko ivy'uko umucamanza yanse ko umuburanyi kanaka aburana imbere yiwe kuko adakwije ibitegerezwa nk'ubutumwa bwoguserukira abandi mu nyuma akamwemerera kuko ubwo bubasha aburonse bidashobora gufatwa nko kwivuguruza;

Ko rero mu mvo zose uwusambuza yashikirije Sentare Gasamburamanza ata n'imwe ishemeye yotuma urubanza RCA 545 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke rusambuka ;

Kubera ko vyongeye ata tegeko canke umugenzo mwiza w'ikirundi Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke yarenze mu guca urubanza RCA 545 ari naco gituma rudasambuwe ;

KUBERA IZO MVO ZOSE:

Sentare Ntahinyuzwa igisata ca Gasamburamanza ica imanza imbonankubone k'uwusamburizwa;

Yihweje ibwirizwa n°1/010 ryo ku wa 18.03.2005 ryerekeye ibwirizwa nshingiro rya Republika y'Uburundi;

Yihweje ibwirizwa n°1/07 ryo ku wa 25.02.2005 ryerekeye iringanizwa rya Sentare Ntahinyuzwa ;

Yihweje ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17.03.2005 ryerekeye iringanizwa ry'ama Sentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje ibwirizwa n°1/010 ryo ku wa 13.05.2004 ryerekeye amategeko agenga imanza z'amatati;



Imaze kumviriza iciyumviro c'umushikirizamanza mukuru ;

Ivuye mu mwiherero w'abacamanza nk'uko bitegerezwa ;

ISHINZE KO :

- Yakiriye isambuzwa ry'urubanza RCA 545 nk'uko ryagizwe na NA. Victoire aserukiwe n'abashingwamanza biwe RA. Desire-Marie Claude na ND. Déo ariko ivuze ko ridashemeye ;
- Irahakanye gusambura urubanza RCA 545 rwa Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke;
- Iyi ngingo ize yandikwe mu bitabu vya Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke iruhande y'urubanza rudasambuwe ;
- Igarama ritangwa na NA. Victoire we arushijwe nayo ni 31.400 FBu;

Uko niko ruciwe kandi ruvuzwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 19.06.2006, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru hamwe n'umwanditsi.

**KWIHWEZA URUBANZA.-**

( Fait par Fulgence RUBERINTWARI, Président de la Cour d'Appel de Gitega**)**

Urubanza RCC 9644 rwashikirijwe Sentare Ntahinyuzwa ngo rusamburwe rwerekeye itongo riri muri Komine Rugombo ryaburanywe na NA.Victoire na KE.KE. NT. Umuburanyi NA. ntiyashimye urubanza RCA 545 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Cibitoke mu 2001 rwahinduye urubanza RC 919 rwaciwe na Sentare y'intango ya Rugombo mu 1999.

Sentare y'iyungururizo yahinduye urubanza rwa mbere mu gushinga ko KE., KA. na NT. batsindiye itongo nkuko bariburanye. NA. Victoire aserukiwe n'abashingwamanza biwe ntiyashizwe ariko guca yitura Sentare Ntahinyuzwa, igisata ca Gasamburamanza kugira urwo rubanza rusamburwe. Basavye ko urwo rubanza rwosamburwa ngo kubera Sentare y'iyungururizo itumvirije amasura yabo, kuko yafatiye ku ngingo itariyo ijanye n'amategeko yerekeye ingene umuntu yegukira itongo mu gihe aribayeko kandi arikorera ata nkomanzi mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko.

Urwo rubanza ngo rwosamburwa kandi kubera sentare y'iyungururizo itubashe ubusumbane bw'amasentare mu kwemerera KA. na NT. ko baburana muri iyo Sentare kandi bataburanye muri Sentare ya mbere ; bitayeko ngo abo baburana bitwaza ko ari abagererwa kandi atarivyo.

Abasabirwa isamburwa ry'urubanza barireguye kuri izo mvo imwe imwe ukwayo. Bavuze ko Sentare itari kwumviriza amasura y'abo baburana kandi bafitaniye ubucuti, ko iyo Sentare yisunze amategeko mu gushinga ko batsindiye itongo babayeko kandi bakoreye ata nkomanzi nkuko bitegekanijwe n'ingingo zigira 647 na 648 z'igitabu ca gatatu c'amategeko agenga imanza z'amatati.

Ahandi naho ngo Sentare y'iyungururizo ntiyigeze itubahiriza ubusumbane bw'ama Sentare mu kwemerera KA. na NT. ko baburana muri iyo Sentare kuko bari basanzwe bari muri urwo rubanza kuva muri Sentare ya mbere baserukiwe na GASHWANTARE. Ku birego navyo bijanye n'ubugererwa, ngo ntibabironkeye ivyemezo.

Sentare Gasamburamanza yarerekanye aho ihagaze muri runo rubanza ifatiye ku vyagiye birashikirizwa n'ababuranyi. Ku mvo ijanye n'uko amasura atumvirijwe,Sentare Gasamburamanza yarashigikiye Sentare y'iyungururizo mu kwemeza ko bitari bikenewe ko amasura yumvirizwa ngo kuko ataco yari kuyungura mw'itohozwa ry'urubanza.Ngo ayo masura ntaco yari kuvuga kiruta urwandiko rwa Musitanteri wa Komine Rugombo rwemeza ko KA.n'abo barikumwe ari abagererwa ba PF.

Kuri ico kibazo co kutumviriza amasura,Sentare Gasamburamanza yari ikwiye kwongerako ko Sentare y'iyungururizo itari kubumviriza kandi ari incuti zishika z'ababatatse ngo bababere amasura.

Ku mvo yashikirijwe ijanye n'uko Sentare y'iyungururizo itubahirije amategeko yerekana ingene umuntu yegukira itongo yabayeko akongera ata nkomanzi mu kiringo categekanijwe n'amategeko,Sentare Gasamburamanza yaremeje ko Sentare y'iyungururizo yayisunze kandi yayubahirije.
Iyo Sentare yishimikije ingingo igira 647 na 648 y'igitabu ca gatatu c'amategeko agenga imanza z'amatati mu kuvuga ko KA. n'abo barikumwe batsindiye itongo nkuko bariburanye.

Ariko rero, ngaha Sentare y'iyungururizo yari ikwiye no kwisunga Itegeko-Bwirizwa n° 1/19 ryo ku wa 30.06.1977 rikuraho ubugererwa na cane cane ko yafatiye ku rwandiko ruvuga ko KA.n'abo barikumwe ari abagererwa ba PF. Ingingo ya kabiri y'iryo tegeko-bwirizwa yari kwuhira za ngingo zigira 647 na 648 zavugwa .Iyo ngingo ivuga ko abagererwa begukira itongo bari bamaze gukorera mu kiringo c'imyaka indwi imbere y'aho ryashirwa mu ngiro.

Ku mvo yerekeye ko Sentare y'iyungururizo itubahirije ubusumbane bw'ama Sentare mu kwakira KA. na NT. bataburanye muri Sentare ya mbere,Sentare Ntahinyuzwa yarashigikiye imvo iyo Sentare yashimikiyeko mu kuvuga ko KA. n'abo bari kumwe baje baserukira uwaburanye muri Sentare y'Intango .

Ivyo bikaba binagaragarira mu rwandiko rubaha uburenganzira bwo kuburana ruriko umukono wa Musitanteri wa Komine Rugombo. Atari zirya mvo twavuze zari zikwiye kwuhira imvo Sentare yashimikiyeko, tubona ko bene gutsindira itongo ryaburanywe bari babikwiye hisunzwe amategeko ari naco gituma Sentare Gasamburamanza itasambuye urubanza ruribashikiriza.

Imbere yuko dusozera twagira tumenyeshe ko muri runo rubanza hariho ahagiye harakoreshwa « Sentare Isubiramwo » aho gukoreshwa « Sentare y'iyungururizo ».